Nta kintu na kimwe cubahitse ku Mana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere coza gisumba ugusaba igisabisho

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Nta kintu na kimwe cubahitse ku Mana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere coza gisumba ugusaba igisabisho".

[حسن] [رواه الترمذي وابن ماجه وأحمد]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yaratomoye ko ata kintu na kimwe mu bikorwa nyegerezamana cubahitse kandi ciza cane ku Mana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, coza gisumba ugusaba igisabisho; kuko mu gisabisho hahurikiyemwo ukwemanga ko Imana Allah Nyenukuninahazwa na Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yikenuye muri vyose, n'umuntu kwemera ko ata co yishoboje n'uko akeneye inkunga zayo.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/5509